1.000 FBU



# SEMESTRIEL

Nº 162 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI Mukakaro 2023

## IVYARANGUWE MU GICE CA MBERE C'UMWAKA W'I 2023



## ISCAM, isoko ry'ubumenyi mu gisirikare

P.3






## Uruhara rw'inyigisho mu gisirikare ni ntagereranywa

P.8

## Ukwimenyereza hamwe kugira bahangane n'ibibazo vy'umutekano mu karere

P.12

Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants,Avenue Ngendandumwe
Tél : (257)22 55 22 41 - (257) 22 24 30 54 - Fax : (257) 22 22 41 52 . E- mail : redactionbcom@gmail.com
Site web : www.mdnac.bi

# Ugutsimbataza ubwigenge birafise ikiguzi


## Uruganda rw'ikinyamakuru

Uwurongoye Ikinyamakuru

Col Biyereke Floribert

Uwurongoye Uruganda

Lt-Col GAHONGANO Emmanuel

Icegera c'uwurongoye Uruganda

Maj BAZIRUTWABO Herman

Umunyamabanga

Maj MANIRAKIZA Oscar

Icegera c'Umunyamabanga

Maj NGENZEBUHORO Alice

Uwuhinyanyura ikinyamakuru
Maj NDAYIZIGIYE Fidèle

Abanditsi

Lt-col HAKIZIMANA Prosper

MAJ NDAYISABA Roger

MAJ CIZA Anatole

Maj NKENGURUTSE Mélance

Maj MANIRAMBONA Diomède

Maj NININAHAZWE J.M.V

Capt NZAMBIMANA Norbert

Capt NTAKARUTIMANA Ruth

Capt HABOGORIMANA J.B


Igihe c'inyuma y'intahe y'ukwikukira kw'ibihugu vy'afrika kiracari icigwa gikangurira abasesanguzi n'abandi bavyiyumvirako b'abanyafrika canke abanyamahanga. Imibereho ya politike ntishobora kumvikana tudafatiye kuri iki gihe, dufatiye ku bintu bitari bike, bituma hiyumvirwa kazoza k'ibihugu vya afrika bikuyeko intwaro yagahotoro. Ntituriko turavuga uburemere bw'ububi bw'intwaro y'abakavamahanga n'ingaruka zavyo ku muntu canke ku gihugu. Ivyo vyaravuzwe cane mu kinyamakuru cacu casohotse muma nimero ya kera. Ariko dushaka kuvuga ku bijanye n'ugutsimbataza intahe yacu y'ukwikukira hamwe n'ikiguzi cayo kugira ngo tuyishikeko.

Iyo kazoza kadashobora gutahurwa hadafatiwe kuri kubu, ni ngombwa ko kubu hatibagiwe na kahise biba urufatiro kugira ngo ibibazo vyose bitahugwe neza. Ugutsimbataza ubwigenge rero birafise ikiguzi atawogifata minenegwe.

Ntawobivuga ngo abimare, ibihugu vy'afrika vyaronse intahe y'ukwikukira na cane cane igihugu c'Uburundi vyokwirengagiza ko ukumeramagabo bitegerezwa kugira bitsimbataze intahe y'ukwikukira n'ubwigenge ivyo bihugu vyaronse. Ugutsimbataza ivyavuye mu ntahe y'ukwikukira bica cane cane mu kugendera amarangamutima agize umuntu ku gatwe kiwe, ku gihugu no ku benegihugu. Umuntu ku gatwe kiwe arafise ico akora, igihugu nacone. Urukiza rwacu ruca canecane mu gutsimbataza ugufatanamunda, ikigwanishwa ca buri mwanya. Ukugira inguvu muri iyo ntumbero ni ngombwa kandi ntaworeka kwishimira ivyo uburongozi bwa politike bwaranguye mu guhangana n'ibihanze igihugu. Ibimenyetso ntasobwa biravyerekana cane.

Tubisubiremwo atakurya umunwa, ni ubumwe butuma igihugu kirangura imbono yaco ya kazoza kandi butanga ubushobozi ku benegihugu bwo kubona kumwe kazoza k'igihugu. Bafatanye mu nda n'intumbero imwe, ubushobozi bwa bahungu n'abigeme buzokomera bashobore kubona kure nogushika ku bikorwa bitashoboye kushikwako. Bamaze kumenyekana n'ukubikunda, abenegihugu bizoca vyoroha kubahamagarira kugwanira agateka kabo, inyungu zabo n'ugutsimbataza ubwigenge bw'igihugu.
Hambavu y' Ubumwe bw'abarundi, ni intwaro ibereye igize canecane umushinge w'ugufatana mu nda. Twonashaka tukavuga ko Ubumwe bw'abarundi ariho bigaragarira. Gutunganya neza ibijanye n'abakozi, ivy'ubutunzi, ibikoresho n'ugukoresha neza umwanya mu mashirahamwe no mu bisata bitandukanye ni isoko ry'ukubaho neza haba ku gatwe ka muntu canke ku gihugu. Ni inzira itabesha kugira hashikwe ku kubaho neza no kw'iterambere rikwiye, urufunguruzo utarufise bituma ubwigenge butagira insiguro.

Mu mwihwezo wa nyuma, aho ugukunda igihugu bigeze birabonekera kukugene abantu bari mu bibanza vy'uburongozi barazwa ishinga no gukora ku nyungu ya bose mu gushira imbere ibikorwa binezereza bose na canecane abenegihugu batobato. Iyo ntumbero ikomeye Umukuru w'igihugu c'Uburundi yama avumera, itegerezwa kuba umwitwarariko wari muntu wese muri twebwe kandi ku migwi yose. Ni ico kiguzi kugira uguterimbere, umwitwarariko wa rwose wa benewacu b'abarundi bizoheza bikagaragara kandi ubwigenge nabwo dusanzwe tunezerewe buzoheza bugatsimbatara.

Uguhindura inyifato niyo nshimikiro mu guha akazi ikibanza kibereye hakurikijwe umurongo w'uburangamutima. Si ukukora gusa ariko ni ugukora neza nk'uko bivugwa ngo :
« Gukora ineza ntibihagije, ariko ni ukuyikora neza. »

Col FLORIBERT BIYEREKE

# Iscam, ituta riramurira incabwenge mu gisirikare c'Uburundi

*Itewe iteka n'umukuru w'igihugu c'Uburundi, kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto (ISCAM ) yaruguruye icese umwaka w'ishure w'2022-2023 hari kuwa 26 Rusama 2023. Muri ivyo birori hararanguwe ibindi bikorwa nko kwemerera kwinjira mu rwego rw'igisirikare umugwi wa 52 mu rukurikirane rw'intwazangabo n'ibindi.*

Uko umwaka utashe Iscam iratunganya ibirori vyo kwugurura icese umwaka w'ishure, ibirori biterwa iteka n'umukuru w'igihugu. Ivyo birori biza bisozera indwi yahariwe Iscam, icivugo c'uyu mwaka kikaba cari « Kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto, ituta riramurira incabwenge mu gisirikare c'Uburundi ryitwararika gukingira igihugu n'ubutunzi bwaco ». Muri iyo ndwi ni akanya ko gukurikirana inyigisho zijanye n'ubuhinga n'ubumenyi, imico hamwe n'amahiganwa yo kwinonora imitsi. Muri ivyo birori, Umukuru w'igihugu yarakiriye indahiro z'umugwi wa 19 wari urangije ivyirwa vyo gukarihiriza ubwenge intwazangabo zize hanze y'igihugu, aremerera kwinjira icese mu rwego rw'igisirikare imikangara yo mu murwi wa 52, hamwe no guhana umugumya imbere y'umukuru w'igihugu ku muri wa 48 na 49 mu rukurikirane rw'intwazangabo muri Iscam.

**Umwimbu urashimishije**

Uwurongoye Iscam, Jenerari de Brigade Gaspard Baratuza yamenyeshejeko kaminuza ifise ihangiro ryo kwigisha abitegurira kuba intwazangabo ikabaha ubumenyi bwa gisirikare n'ubundi bumenyi muri rusangi buzobatuma barangura neza amabanga igihugu kizobashinga. Intwazangabo ihejeje



*Umukuru w'igihugu yarashimye umwimbu wabonetse muri Iscam*

rwego rukeneye. Yaboneyeho akaryo ko gushimira Umukuru w'igihugu ko yama abemerera kwakira imikangara mishasha mubigo vyose vy'inyigisho z'intango. « Ibiro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi vyisunze ihangiro ryo gushimikira ku nyigisho n'imyimenyerezo bizobandanya gutorera inyishu ibibazo na cane cane bahereye ku gusanura inyubakwa, nayo ikibazo co kwiyunguruza kikaba kugiye gutorerwa inyishu vuba », nk'uko yabimenyesheje. Yarangije aha impanuro, arakeza abemerewe kwinjira mu rwego rw'igisirikare yongera aha ikaze mu rwego rw'ukwivuna abansi intwazangabo zarahiriye ibanga ryo kuja imbere

mwese muri ngaha muramize ku muzirikanyi iyo igihugu cavuye kugira dukinge ivyashikiye Uburundi bibi ntibize bisubire », nk'uko yabandanije abishikiriza.

**Umwuga w'igisirikare bisaba kuwitangira**

Ku mikangara yarihejeje kwemererwa kwinjira mu rwego rw'ukwivuna abansi yabibukijeko mu gisirikare bataje mu muyondi ariko baje kwitegurira kwigura igihugu. Kubw'ivyo ntibakiri mu bwoko ubu canke buriya ariko bari mu bwoko bw'abarundi. Ku mikangara yo mu mugwi wa 19 bari bahe-



*Umwuga w'igisirikare ni umuhamagaro*

Iscam isohoka ifise urupapuro rw'umutsindo rwa kaminuza hamwe n'urupapuro rwo kurongora abasirikare 33 mu nyigisho z'igisirikare. Yarashikirije kandi umukuru w'igihugu uko umwimbu wagenze, muvya kaminuza umwimbu wabaye ibice 98 kw'ijana kubanyeshure b'abarundi n'abanyamahanga biga muri Iscam hamwe n'ibice ijana kw'ijana mu vya gisirikare mu vyirwa vyo gukarihiriza ubwenge intwazangabo ziba zize hanze ku mugwi wa 19 hamwe n'ibice 30 ku murwi wa 52 ukiri mu nyigisho. Akaba yaciye amenyeshako umwaka w'ishure ugiye kwama urangira mu kwezi kwa nyakanga kugira haboneke amezi abiri yo kunonganza ivyirwa vya gisirikare.

Uwurongoye urwego rw'ukwivunabansi rw'Uburundi Jenerari Prime Niyongabo mw'ijambo yashikirije yamenyeshejeko Iscam ifitiye akamaro kadasanzwe urwego rw'ukwivunabansi kuko ariyo itegurirwamwo intwazangabo zose urwo

y'abandi.
Umushikiranganji w'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba Ingenieur Alain Tribert Mutabazi mw'ijambo yashikirije, yamenyesheko iterambere ry'igihugu ridashoboka itunga ry'igihugu n'abanegihugu bidakingiwe n'inzego z'umutekano zibifitiye ubumenyi buhagije. Ni naco gituma ubushiranganji bw'ukwivuna abansi buzokwama hafi y'ishure kaminuza y'intwazangabo Iscam mu vyo bakenera. Ku mpanuro yahaye abahejeje ishure hamwe n'abakibandanya Iscam, yababwiyeko igisirikare atari umwuga nk'iyindi ariko ari umuhamagaro.

Mw'ijambo nyamukuru ry'uwo munsi ryashikirijwe n'Umukuru w'igihugu yarashimye cane uko umwimbu wagenze, acarakeza indongozi zose uhereye ku barongoye urwego kw'ukwivuna abansi hamwe n'abarongoye Iscam ingene bitanze kugira uwo mwimbu bawushikeko. « Ntwazangabo

jeje gukarihirizwa ubwenge mu vy'igisirikare eka mbere n'abasirikare bose muri rusangi yabasavye kudahengamira mu vya politike canke amadini. « Murama mwigana imigenzo y'intambwe isanzwe iri kukimenyetso mwambara. Bimwe mu biyiranga, intambwe ntirya iyindi ntambwe kandi ntitoteza udukoko dutoduto tuyegereye ; intambwe yamana umutima mu nda naho haba mu bihe bigoye ; iriyemera kandi izi kwiyubahiriza; ntitezura idashitse kw'ihangiro kandi ntirya ico itihigiye. Murame mwigumya nk'intambwe mugire imigenzo nkayo n'ibiri nk'ingorane ntakinanira intwazangabo tugiye hamwe ejo tuzoba tuvyiyaga umugani » vyamenyeshejwe n'umukuru w'igihugu.
Umukuru w'igihugu c'Uburundi akaba yarangije ashikiriza akaganuka uwurongoye Iscam kazobafasha kwagura umugambi wo kworora inkwavu uza ugeze kure muri ico kigo.

***Capt RUTH NTAKARUTIMANA***

# Gufashanya vyaratahuwe neza

*Umushikiranganji w'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba, Alain Tribert Mutabazi, yarerekanye koko ko yatahuye ko ata gisirikare canke igihugu cokwemera kuba gati ka waga. Ivyo vyatumye ashira inguvu mu migenderanire mu karere no mu makungu.*

Umushikiranganji w'ukwivuna abansi Mutabazi Alain Tribert yatanguye ibikorwa vyo gufashanya vy'uyu mwaka mu kwitaba ihwaniro ry'inama mpanuzwajambo ijejwe amahoro n'umutekano mu karere ka Afirika yo hagati (COPAX). Mu kwitaba iyo nama yabereye i Kinshasa muri Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo, Umushikiranganji Mutabazi yarasubiye kwemeza ishaka ry'Uburundi ryo gufatanya n'ibindi bihugu mu kubumbatira amahoro n'umutekano muri ako karere.

Mu kandi karyo, Umushikiranganji Mutabazi na Mugenziwe wa Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo barashije umukono ku masezerano yo gufashanya mu vya gisirikare. Ayo masezerano akaba ategekanya guhanahana abanyeshure b'abasirikare, gutegurira no kugwaniriza umwansi hamwe, eka n'ibindi. Kugwaniriza umwansi hamwe ngo bizotuma abagizi ba nabi n'imigwi y'iterabwoba ibura isaganirizo, gurtyo umutekano ku mbibe ukomere nk'uko abashikiranganji bompi babishikirije.

**Kugira inyigisho zimwe mu ntumbero yo gukomeza gukorera hamwe**

Gufasha mu bijanye n'inyigisho mu vya gisirikare kandi vyarizwe mu nama igira 36 y'inama nshikiranganji iraba ivyo gufashanya mu vya gisirikare mu karere ka Afirika y'Ubuseruko (EAC), nayo ikaba yabereye i Bujumbura irongowe n'Umushikiranganji Mutabazi kw'igenekerezo rya 1 ndamukiza 2023. Iyo nama yari yatanguriwe n'iy'abakuru b'inzego zo kwivuna abansi muri ako karere nyene, ikaba yari irongowe na Jenerari Prime Niyongabo, Umukuru w'Urwego rwo Kwivuna abansi rw'Uburundi aho bihweje ibijanye no gutanga inyigisho zimwe mu mashure makuru yigisha ivyo kurongora abandi mu gisirikare muri ivyo bihugu.

Iyo abasirikare bize bimwe bakagira n'imyimenyerezo imwe bituma bagira intumburakazi n'ubuhinga bimwe navyo bigatuma bashika ku ntumbero bihaye nk'uko tubibona muri Somariya aho abasirikare b'Ubumwe bwa Afirika bagiye kuvanwayo buke buke kugira babe bahejeje kuvayo mu mpera z'umwaka w'2024. Mbere muri ndamukiza 2023, Umushikiranganji, Mutabazi yaritavye inama nshikiranganji itegura iy'abakuru b'ibihugu vyarungitse abasirikare muri Somalia kugira bihweze ingene imigwi ibiri ya mbere y'abasirikare b'Ubumwe bwa Afirika bazovanwa muri Somaliya, aho mbere Uburundi bwashigikiye ko abavanwayo bogabanywa ku bihugu vyose hisunzwe ibitigiri basanganywe. Ubwa mbere rero hazovanwayo abasirikare 2000 mu kwa gatandatu abandi 3000 bavanweyo mu kwezi kw'icenda muri uyu mwaka w'2023.

Abahinga mu vya gisirikare bavugako gukorera hamwe mu buhinga bumwe ari kirumara mu gushika ku mahoro mu bihugu nka Somalia aho hari abasirikare bava mu bihugu bitari munsi ya bitandatu biriko bigwanya wa mugwi w'iterabwoba Al-Shabaab.



*Imigenderanire muvya gisirikare yifashe neza*

Ico nico gituma mbere Umuryango w'akarere ka Afirika y'Ubuseruko (EAC) wama utegura imyimenyerezo ya gisirkare nk'uwuraho ujanye no kurongora abandi mu gisirikare watanguye kw'igenekerezo rya 18 ruheshi 2023 mu Rwanda. Umushikiranganji Mutabazi rero ntiyatanzwe mu birori vyo kwugurura no gusozera uyo mwimenyerezo kuko yashaka gushigikira no guha inguvu intwazangabo ziri muri uwo mwimenyerezo na ririya ariwe arongoye inama y'abashikirangaji bo bwivuna abansi muri EAC. Yashikirije ko Uburundi buhungukira ibitari bike na cane cane mu bijanye n'ubuhinga no gukomeza umutekano.

Kuri ivyo nyene vyo gukomeza umutekano, na cane cane mu buseruko bwa Repuburika iharanira intwaro rusangi ya kongo, Umushikiranganji Mutabazi yaruguruye inama idasanzwe y'abashikiranganji bo kwivuna abansi bo mu muryango wa Afirika y'ubuseruko yabeye i Bujumbura kw'igenekerezo rya 29 rusama 2023, bakaba bari baramutse bihweza ibijanye n'umutekano mu buseruko bwa Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo. Abashikiranganji rero barashikirije abakuru b'ibihugu ivyokorwa kugira ako karere nako kaje karonka amahoro arama na ririya hari ibikorwa bija biriko birarangurwa kuva aho umuryango wa EAC urungikiyeyo abasirikare mu rwego EACRF.

Abasirikare b'Uburundi bari muri urwo rwego mbere baheruka kwagura akarere mu kwezi kwa ndamukiza aho bashinze ibindi birindiro bibiri ahitwa Kitchanga na Mweso kugira bacungere neza umutekano, maze abantu n'ibintu bishobore kurengana ata nkomanzi, gurtyo banakomeze imigenderanire myiza n'abenegihugu baho.

**Gukomeza gufashanya mubijanye no kwivuna abansi**

Mu bindi bikorwa vyo gukomeza imigenderanire, Umushikiranganji Mutabazi yarahaye imibonano abaserukira ibihugu n'amashirahamwe bitandukanye kugira ahanini baganire ibijanye no gufashanya mu vya gisirikare. Igenekerezo rya 11 rusama 2023, yaraganiriye n'uwuserukira igihugu c'Uburusiya mu Burundi aherekejwe n'uwujejwe gufashanya mu vya girikare hagati y'Uburusiya n'ibihugu vyo mu karere ka Afirika y'Ubuseruko. Bariyemeje kubandanya no gukomeza imigenderanira mu vya girikare isanzwe yatanguye kera, mu gihe c'Ubumwe bw'ibihugu vyari bigize Uburusiya (URSS).

Uwuserukiya igihugu ca Turukiya mu Burundi nawe yakiriwe kw'igenekerezo rya 9 ruhuhuma 2023 kugira naho nyene baganire ibijanye no gufashanya mu vya gisirikare. Umushikiranganji Mutabazi yaboneye akaryo ko guhoza igihugu ca Turukiya ku bantu cari cabuze muri wa mutigito w'isi uheruka gutikiza inganda muri ico gihugu hamwe na Siriya, eka mbera akaba yaciye yifuriza abakomeretse gukira bidatevye.

Igenekerezo rya 4 rusama 2023, Umushikiranganji Mutabazi yarabonanye n'umugwi w'abahinga b'abadagi bari baje kumushikiriza umugambi wo gushinga ikigo kijejwe kubaga abagwayi (chirurgie) no kuvura abafise ingwara y'umutima (cardiologie interventionnelle) ku bitaro vy'abasirikare vyo mu Kamenge. Ico ciyumviro kikaba carashimwe cane.

Yarahaye umubonano kandi Jenerari Birame Diop, umuhanuzi mu vya girikare mu gisata ca ONU kijijwe ibikorwa vyo guhagararira amahoro kw'isi. Uwo nawe akaba yaramenyesheje ko Umunyamabanga mukuru wa ONU ashimishwa cane n'ibikorwa vy'abasirikare b'Uburundi bari mu bikorwa vyo guhagararira amahoro.

Uwundi yakiriwe ni uwahoze arongoye ikigo ca ONU kijejwe ibikoresho UNSOS, Lisa Filipetto, aho yari aje gusezera kubera yararangije ikiringo ciwe hamwe rero no gushimira Uburundi kubera ingene abasirikare bari muri Somaliya bitanga batiziganya mu kurwanya iterabwoba muri ico gihugu.

Uwahoze ari Umunyamabanga mukuru wa ONU, Koffi Annan yavuze ati : «Inzira yonyene iha umwizero ababa kw'isi ko bazobaho neza ni inzira yo gufashanya no gufata mu mugongo abandi.» Hari uwovugako yabitahuye kurusha Umushikiranganji Mutabazi ?

***Lt-Col PROSPER HAKIZIMANA***

# Ingabo z'Uburundi ziri mu butumwa bw'amahoro mu buseruko bwa Kongo zirashimwa

*Haraheze ikiringo kirenga imyaka mirongo ibiri akarere k'ubuseruko bwa Republika iharanira Demokarasi ya Kongo kari mu ntambara zidahera aho kiganziwe n'imigwi yitwaje ibigwanisho myinshi cane. Intara zaseserejwe cane zikaba ari Kivu yo mu bumanuko na Kivu yo mu buraruko. Ni muri iyo ntumbero ibihugu vyose vy'Umuryango wa Afrika y'Ubuseruko (EAC) vyumvikanye kurungika ingabo zawo, aho n'ingabo z'Uburundi zikaba zitasigaye inyuma kugira ngo zishobore kugarukana ihumure mu kuburizamwo iyo migwi y'abagwanyi yagize ikirimbiro ryayo ico gice c'Ubuseruko bwa Kongo.*

Bimaze kwibonekeza ko umutekano utera wononekara mu buseruko bwa Kongo kandi ko bishobora kugira ingaruka mbi cane ku bindi bihugu bigize umuryango EAC, haratunganijwe amanama atari make y'Abakuru b'ibihugu bo muri EAC. Ibikorwa bikaba vyabereye mu migwa mikuru itandukanye nk'i Bujumbura, Dar-Es Salaam, Luanda na Nairobi kugira ngo bashobore gutora umuti urama kuri ico kibazo c'umutekano muke mu karere. Muri bikorwa vyabo vya minsi yose. Uburundi bwararungitse Ibatayo mu duce twa Masisi ikaba ifise ibirindiro ahitwa Sake (Ikirindiro gikuru c'Ingabo z'Uburundi), Kilolirwe, Kitchanga, Mweso, Mushaki na Kaluba. Izindi ngabo za EAC muri Nord-Kivu ni Ibatayo ya Kenya, iya Sudani y'Epfo hamwe n'Ibatayo zibiri za Uganda, zikaba ziri muri teritware za Nyiragongo na Rutshuru.

imirimo ya minsi yose bagononokewe.

Kubera ivyo bikorwa vy'iteka nyene, ingabo z'Uburundi zirakezwa n'abenegihugu. Aho ziba zirenganye mu karere, baba abana, mbere n'abakuze, bose baramvurira rimwe amaboko hejuru mu kugaragaza akanyamuneza babafitiye no gushima ukuntu bitanga mu kubakingira. Iruhande kandi y'abanyagihugu, n'inzego za Reta hamwe no mu gisirikare barashimishwa n'ubutwari n'ubukerebutsi bw'ingabo z'Uburundi ku



*Abasirikare b'Abarundi mu butumwa bw'amahoro muri Kongo*

Kivu y'epfo, Uburundi bwarungitse ibatayo yambere kw'igenekerezo rya 15 Myandagaro 2022. Iyakabiri yaciye irungikwa mu mezi yakurikiye. Nayo muri Kivu ya mu buraruko, hariyo Ibatayo imwe, ikaba yashitse ku kibuga ca Goma kuva kw'igenekerezo rya 5 gushika kurya 16 ntwarante 2022 mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano muri ako karere ka Kongo.

**Umutekano wariyongereye kubera umusaruro w'ibikorwa vya gisirikare**

Kuva aho bashikiye mu turere bakoreramwo, abasirikare b'abarundi babandanije kwerekana ko ari ba bitumwako aho bariko barakorera hose.Muri kivu y'epfo, ibikorwa vy'abasirikare b'abarundi birashimwa cane n'abenegihugu bo muri ako karere k'ubuseruko bwa Congo. Bakorana neza n'ingabo za Congo mu duce twa Masango, Mikenke, Minembwe, Kageregere, Magunda, Itombwe,muma teritwari ya Uvira, Mwenga na Fizi.

Ku ruhande rwo mu Ntara zo mu buraruko bwa Kivu naho nyene ku rubuga umutekano warongerekanye mu duce tutari duke mbere abenegihugu bakaba bishira bakizana mu

**Ibikorwa vyabo birashimwa ku rubuga n'aho hari ingorane n'urukurukuru**

Muri Kivu ya mu buraruko na Kivu y'epfo, ingabo z'Uburundi zaritanze bishimishije mu bijanye no kugarukana ihumure aho zisanzwe zicungereye hose. Ivyo navyo babishitseko kubera ukwitanga gushika gutanga ubuzima hamwe n'ugukorana ishaka na cane cane biciye mu bikorwa vyinshi vyo gukizura mu turere twose, ibikorwa vy'imigenderanire hagati y'abanyagihugu n'abasirikare, n'ivyabo, ibikorwa bitandukanye vyo gukingira umutekano w'abanyagihugu mu kubuza imigwi yitwaje ibigwanisho kwiba ibitungwa n'ayandi matungo yabo; maze ivyatswe iyo migwi bigasubizwa. Harimwo kandi ibikorwa vyo kuronsa ubufasha bwa mbere abagwayi n'abakomeretse, guherekeza amamodoka y'aba ay'amashirahamwe ya reta n'ayandi, hamwe n'inyigisho zitandukanye zo gukomeza umubano mwiza no kuremesha amahoro. Aha twovuga kandi ibikorwa vyo kwugurura amabarabara makuru aho ubu ari nyabagendwa, mbere n'abantu batari bake bari barahunze kubera imigwano ubu bakaba bamaze guhunguka. Nico gituma abanyagihugu banezerwa bakarangura rubuga rw'intambara. Muri ukwo kwezi kwa Rusama kwarangiye, Umukuru w'igihugu ca Kongo, Felix Tshisekedi yarashimiye izo ngabo ku kugene bitanga batiziganya kugira ngo ubutumwa bwabo bugende neza. Iruhande yiwe, uwurongoye ingabo za EAC (EACRF), Jenerari-Majoro Aphaxard Kiugu, igihe yari yagendeye izo ngabo kuwa 22 Rusama 2023, nawe nyene yarashimye gose ibikorwa izo ngabo zimaze kurangura kuva zishitse mu butumwa.

N'ubwo izo ngabo zimaze kurangura ibitari bike, intambamyi ziracari nyinshi. Aha tukaba twomenyesha ibijanye n'ibitero vy'urutavanako bigabwa n'imigwi yitwaje ibigwanisho, kutubahiriza amasezerano yo guhagarika intambara bitumwe n'umugwi M23 uherutse kugaruka mu birindiro wari waravuyemwo muri Kivu ya mu buraruko, ubusuma bw'ibitumwa n'ubundi bubegito bikorwa n'imigwi itandukanye yitwaje ibigwanisho, tutibagiye n'inkuru canke ibihuha bikwiragizwa mu ntumbero yo kuburizamwo intambwe nziza imaze gushikwako.

***Capt NORBERT NZAMBIMANA***

# Kugirira icizere ubuhinga bisumba kwizera amahirwe

*Muri ay'amezi atandatu ya mbere y'uno mwaka, urwego rw'ukwivunabansi rw'Uburundi rwaratunganije imyimenyerezo ya gisirikare itari mike ; aha twovuga amahiganwa yo kwiruka, imyimenyerezo y'ukwitegurira kurwanya iterabwoba, umwimenyerezo wo gutegura abasirikare kwama barikanuye n'ibindi. Iyo myimenyerezo yose ikaba yagenze neza.*

Ruzirikanye ubutumwa bwarwo bugizwe n'ukugwanira imbibe z'igihugu, ukwikukira n'ubwigenge bwaco ariko ivyo bigasaba ko urwo rwego ruba rwizeye ubuhinga bwarwo, Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi(FDNB) rwahaye ikibanza kibereye inyigisho n'imyimenyerezo.



*Imyimenyerezo ihagije ituma igikorwa coroha*

**Imyimenyerezo y'ukwinonora imitsi**

Biciye mu gisata kijejwe ivyerekeye inyigisho z'igisirikare, imyimenyerezo n'ibikorwa vya gisirikare, urwego FDNB rwaratunganije ihiganwa ry'ugusiganwa ryabereye ku kibuga OLYMPAFRIKA riri muri zone ya Kanyosha mu gisagara ca Bujumbura. Iryo higanwa ryabaye mu kwezi kwa ndamukiza rikaba ryari rigizwe n'icivugo « Imyimenyerezo y'ukwinonora imitsi mu rwego FDNB n'inkingi y'ugukomeza ubushobozi bw'umubiri hamwe n'ukwunga ubumwe kugira ngo barangurane umwuga wa gisirikare ubutwari ». Imyimenyerezo yarigize iryo higanwa yari igizwe ahanini n'ugusiganwa biruka n'umuvuduko muremure, ku birometero birebire, ku birometero bikeyi, gutera ijavero, gutera ibintu biremereye, gusimba mu burebure, gusimba urukiramende hamwe n'uguhanahana udukoni. Jenerari de brigade Barandereka Télesphore arongoye igisata kijejwe ivyerekeye inyigisho z'igisirikare, imyimenyerezo n'ibikorwa vya gisirikare, mu gihe hari haramutse hasozerwa iryo higanwa, yaremeje ko iryo higanwa ryerekanye ko abasirikare bagize urwego FDNB bifashe neza mu bijanye n'ubushobozi bw'umubiri.

Mu kwezi kwa rusama 2023, biciye muri ico gisata nyene, urwego FDNB rwaratunganije ihiganwa rya gisirikare i Gitega. Ugusiganwa barondera kumenya iyo berekeza, guca ku migozi, gusiganwa ku birometero 17 bafise ibikoresho vya gisirikare, guca ku migozi imanuka, gusiganwa ku birometero 8 bafise ibikoresho vya gisirikare bagashika bagira umwimenyerezo w'ukurasa n'ugutwara uwakomeretse nivyo vyari bigize iryo higanwa. Igihe hariko harugururwa iryo higanwa, uwurongoye urwego FDNB Jenerari Niyongabo Prime, yamenyesheje ko ihangiro rya bene iryo higanwa ari ukuronsa abasirikare ubumenyi n'ubuhinga butandukanye kugira ngo abagize urwego FDNB bashobore kurangurana ubushobozi bukwiye ibikorwa vyabo. Mu rukurikirane rw'ukugene barushanije mw'iryo higanwa, akarere ka kabiri ka gisirikare niko kabaye aka mbere, kakurikiwe na brigade idasanzwe ijejwe gukingira inzego (BSPI) ku mwanya wa kabiri, hanyuma ku mwanya ugira gatatu haca haza urunani rw'amakambi ajejwe gukoresha inkoho za ruremeshangabo.

**Kwitegurira gukinga iterabwoba**

Mu gihe inguvu z'imigwi y'iterabwoba zitagabunuka haba mu turere iriko ikoreramwo canke itarashikamwo, urwego FDNB ruguma rurikanuye ngo ntiruce muryahumye. Kubw'ivyo, urwo rwego rwaratunganije rubicishije mu gisata kijejwe igendereza ry'igisirikare, imyimenyerezo yo gukinga n'ugushushanya igitero c'abihevyi. Iyo myimenyerezo yabereye mu turere tune twa gisirikare. Muri iyo myimenyerezo, barahanonosoreye ubuhinga bwo kurondera n'ukwegeranya inkuru hamwe kandi n'ubuhinga bukoreshwa n'abihevyi mu kwinjiza abaja muri iyo migwi hamwe rero n'ukugene ikora. Abasirikare barize kandi ubuhinga bw'ugutunganya n'ugukomeza ubwinjiriro mu ntumbero y'ugukingira amakambi y'igisirikare hamwe n'ibigo bikuru bikuru vy'igihugu kugira babirinde ibitero vy'abihevyi. Iruhande y'iyo myimenyerezo, abasirikare bagize urwego FDNB barakurirana inyigisho zijanye n'ukwongereza ubuhinga bw'ukurwanya iterabwoba imbere yuko baja mu butumwa bwukugarukana amahoro.

Mu ntumbero yo gutezimbere ububangutsi ku bagize urwego FDNB mu guhangana n'ibitero giturumbuka, urwo rwego rubicishije ku biro bikuru vy'abasirikare bagwanira ku butaka, rwarateguye mu kwezi kwa ruheshi kuyu mwaka, igikorwa c'umwimenyerezo ukaburira abasirikare kwama bagavye n'inyifato bogira mu gihe batewe. Intwazangabo 54 zarakurikiranye inyigisho z'ugukarisha ubwenge ku vyerekeye ubuhinga bw'ukugwanya umwansi, gutegura n'ugusuzuma uburyo umusirikare ashobora kurondera aho ico akeneye gitumbereye akoresheje ikarata, hamwe n'ugushushanya urubuga rw'intambara arico bita bac à sable. Izo nyigisho zari zifise intumbero yo kwongereza ubumenyi n'ubuhinga mu vyerekeye kurongora ingabo.



*Kuronsa abasirikare ubumenyi bukwiye kugira barangure neza imirimo bajejwe*

Kubwiyo myimenyerezo yose, ntawogira amakenga ko Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rwiteguye neza kugwanira imbibe z'igihugu, ukwikukira n'ubwigenge bwaco rubikoranye ubunyamwuga n'ubumenyi bukwiye.

***Lt-Col EMMANUEL GAHONGANO***

# Inyigisho zerekeye imiryango ni nkenerwa mu gisirikare no mu giporisi

*Ibiro vy'ubwibutsamana mu gisirikare no mu giporisi c'Uburundi vyaratunganije inyigisho z'amapfungo ya pasika kuwa 30 ntwarante 2023 muri kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto Iscam. Ayo mapfungo akaba yatewe iteka n'Umukuru w'igihugu c'Uburundi.*

Uko igihe c'ikarema kigeze, Diyoseze ya Bujumbura co kimwe n'Ishengero katorika mu Burundi no mw'isi yose riratunganya inyigisho z'amapfungo ya Pasika ku bakirisu bose ku civugo kiba catanzwe Burundi yashize imbere. Inyigisho zari zifatiye ku bice nyamukuru bine : Akaranga k'umuryango rukristu n'ibiwubangamira, ingene twonagura imiryango yacu ikarangwa, kunagura imiryango ikarangwa n'amahoro hamwe n'ingene muryango kuko vyose Imana yarabitunganije. Umugabo n'umugore bakwiye gufashanya kugira bateze imbere umuryango», vyamenyeshejwe n'Umukuru w'igihugu.





*Umugabo asabwa gukunda umupfasoni wiwe nk'uko yikunda we nyene*

na Ekereziya. Ni muri iyo ntumbero ubwibutsamana mu gisirikare no mu giporisi baheza bugatunganya ku ruhande rwabo inyigisho kuba sirikare, abapolisi hamwe n'imiryango yabo. Umukuru w'igihugu c'Uburundi Jenerari Majoro Ndayishimiye Evariste yaritabiriye inyigisho z'amapfungo z'uyu mwaka zari ku civugo « Tumurikiwe n'inyigisho z'abatumwa nitunagure imiryango yacu irangwe n'ukwemera n'amahoro ».

Inyigisho z'amapfungo zatanzwe n'umusaseredoti Aristide Ndyabuheze asanzwe ari umuyobozi mu biro vy'inama y'abepisikopi katolika vy'Uburundi mu gisata kijejwe indero. Yamenyeshejeko inyigisho ku miryango ari kimwe mu nyigisho Ekereziya katolika mu imiryango ikarangwa n'ukwemera ihinduka inkingi y'iterambere nyakuri. «Urugo ni Ekereziya yo kuziko kandi rwatangujwe n'Imana ubwayo. Urugo ni ishusho y'isangiramutima iri hagati y'Ubutatu Bweranda», vyamenyeshejwe na Patiri Aristide Ndyabuheze.

Mu nyigisho zashikirijwe n'Umukuru w'igihugu yashimikiye ku inyigisho zerekeye imiryango ari nkenerwa cane ku buzima bw'abasirikare n'abaporisi babaho mu bihe bitoroshe kure y'imiryango yabo ku neza y'igihugu. Urukundo rw'Imana nirwo rwatumye habaho umuryango, kuko Imana ariyo yaremeye umugabo umufasha bikwiranye ; kubw'ivyo umugabo afise itegeko ryo gukunda umugore wiwe. Ati: «Nta mvo nimwe y'amatati mu Umukuru w'igihugu yarangije atera akamo imiryango ko bokwijukira imigambi mitomito y'iterambere kugira barwanye ubukene ari nabwo nyanduruko y'amatati mu ngo nyinshi. Yarahamagariye kandi abagabo nk'aba se rugo ko bokwerekanako koko Imana yabagize imitwe y'urugo mu guteza imbere no guharanira ukubaho neza kw'imiryango yabo.

***Capt RUTH NTAKARUTIMANA***

# Akamaro k'inyigisho mu gisirikare ni ntasubirizwa

*Inyigisho mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi zarabandanije ku rugero ruhagije mu gice c'amezi atandatu ya mbere y'umwaka w'i 2023. Abarongozi b'igisirikare baratunganya inyigisho ku ngero zose zigaca zituma baba abanyamwuga babushitse hatibagiwe guteza imbere inyigisho za kaminuza mu gisirikare.*

Abasirikare mu gihe baronkejwe inyigisho zihagije kandi ku mice yose bituma Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rukomera kandi rugashobora guhangana n'ikibazo ico arico cose c'umutekano w'igihugu. Urwo rwego rukaba ruronsa ibikoresho vyose vyankenerwa ibigo n'amashure kugira bategure neza abasirikare baba bacinjiye, abakarihirizwa ubwenge eka mbere n'abiga muri Kaminuza mu ntwaramiheto Iscam.

Inyigisho z'akanovera.

Uwurongoye igisata c'inyigisho mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari de Brigade Niyungeko Léonidas amenyeshako inyigisho z'igice ca mbere c'umwaka w'i 2023 zagenze neza. Imikangara igizwe n'abasoda bato bato bangana 1094 bakaba baheruka guheza inyisho zabo mbere baranemerewe kwinjira mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Iyo mikangara ikaba yaronkejwe inyigisho mw'ikambi y'i Mwaro, Bururi na Mabanda. Umugwi ugira mirongo ine w'ibisongerezi mu ntwazangabo witegurira kuba ivyegera vy'abatwara amapeloto uheruka guheza inyigisho. Umugwi ugira mirongo itanu w'ibisongerezi mu ntwazangabo uheruka kurangiza inyigisho zabo. Umugwi w'ibisongerezi bategurwa kuba abahinga ku vyo kunonora imitsi nabo baherutse kurangiza ivyigwa bijanye n'ico gisata nyene. Muri kaminuza nkuru ya gisirikare Iscam, umwaka w'ishure waruguruwe n'umukuru w'igihugu c'Uburundi mu kwezi kwa gatanu 2023. Kabaye akaryo ko kurahira imbere y'umukuru w'igihugu k'umugwi ugira 19 w'intwazangabo zirangije amashure ya Kaminuza. Umugwi nawo ugira 50 w'intwazangabo ukaba waremerewe kwinjira muri Iscam.

Intwazangabo zirakarihirizwa ubwenge

Dufatiye kuvyerekeye inyigisho zironswa intwazangabo zikuze, intwazangabo zishika 28 bagize umugwi w'indwi bararangije inyigisho mw'ishure kaminuza ry'ugutwara n'ugutunganya ivyerekeye ingabo (Escem). Abarangije bakaba basanzwe banigana n'abanyeshure bava mu karere ka Afrika y'ubuseruko Mw'ishure ryigisha gutwara i batayo n'ugutunganya ivyerekeye ingabo(ECBEM), umugwi ugira mu nani ugizwe n'intwazangabo 32 warahejeje inyigisho mu kwezi kwa kabiri umwaka w'i 2023. Umugwi ugira munani mw'ishure ryigisha gutwara ikompanyi nawo nyene uherutse guheza inyuma y'amezi atanu uriko urakwirikirana ivyo vyigwa. Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Jenerari Niyongabo Prime amenyeshako intumbero y'izo nyigisho ari uguha ubumenyi abagize urwo rwego kugira bashobore kurangura imirimo yabo neza. Avuga kandi ko inyigisho ku ntwazangabo zituma babona kure kandi bagakora ibikorwa bajejwe batekanye kandi bashoboye. Akaba asaba abarangije ivyigwa muri iki gice c'umwaka ko bashira mu ngiro ivyo bize kugira bigirire akamaro urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Aranashimira abigisha n'uwo wese yagize ico aterera kugira ivyo vyigwa bigende neza kandi vyongere biherere ku gihe. Izo nyigisho zose zikaba zatuma abasirikare baba abanyamwuga babushitse, ibica biteza imbere urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi. Ubwiza bw'inyigisho bukaba bwibonekeza kandi bukaba bwaragiriye akamaro igisirikare turabiye kuri kafise ka kera k'igisirikare hamwe na kubu.



Imyimenyerezo ifasha kurangura neza umwuga wa gisirikare






Intwazangabo zaronse inyigisho zihamagarirwa gushira mu ngiro ivyo zize

**Maj OSCAR MANIRAKIZA**

# Ibikorwa bishasha mu gisata kijejwe amagara y'abantu muri FDNB

*Urwego rwo kwivuna abansi rw'Uburundi FDNB ruha ikibanza kidasanzwe amagara y'abarugize. Ni mur'iyo ntumbero igisata kijejwe amagara y'abantu mu rwego FDNB kiri ku kivi mu kuzana integuro nshasha kugira batore inyishu nyazo ku vyo abasirikare bakenera ku bijanye n'amagara yabo*

Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi FDNB ruha ikibanza kidasanzwe amagara y'abarugize. Ni mur'iyo ntumbero igisata kijejwe amagara y'abantu mu rwego FDNB kiri ku kivi mu kuzana integuro nshasha kugira batore inyishu nyazo ku vyo abasirikare bakenera ku bijanye n'amagara yabo.

Igisata kijejwe amagara y'abantu mu rwego FDNB gifise imirimo yo gukurikana ibijanye n'ukuvura mu rwego FDNB, kwitaho abafise ingorane zijanye n'inyifato mu kibano, gukurikirana imiti n'ibikoresho bikoreshwa kwa muganga mu kubaga, ndetse no kwerekana ibiciro vy'ibikorwa vyo kuvura, imiti n'ibikoresho bikoreshwa kwa muganga mu kubaga. Mu mezi atandatu aheze, igisata kijejwe amagara y'abantu mu rwego FDNB caratunganije ibikorwa atari bike kugira amagara y'abasirikare n'imiryango yabo agume yitaweho.

Hambavu y'ibikorwa vya buri munsi, igisata kijejwe amagara y'abantu muri FDNB caratunganije itangwa ry'impapuro zituma abasirikare n'imiryango yabo baronka imiti mu mazu adandaza imiti akukira ishirahamwe ryo kuvuzanya ry'abakozi ba Reta. Izo mpapuro zashizweho kugira abasirikare n'imiryango yabo baronkere imiti yose bandikiwe na muganga aho baba bari hose, nk'uko twabishikirijwe na Muganga Riyetena-Koroneri Nizigama Désiré arongoye igisata c'amagara y'abantu muri FDNB. Kubijanye n'abasaba gufashwa n'isandugu yo kugarukanirako y'abasirikare, igisata c'amagara y'abantu muri FDNB carakiriye abazanye amadosiye basaba.



*Umugambi ECHO warashizweho kugira uzofashe abakorera mu gisata co kwitaho abagendana umugera wa Sida*

Uwurongoye igisata c'amagara y'abantu muri FDNB yamenyesheje ko hashizweho umurwi uriko uriga uko agafashanyo gahora gatangwa ko kwisununura ndetse bakagura no mugufasha barabiye kubituma bindi.

Harakozwe n'ibindi bikorwa mu gisata kijejwe amagara y'abantu muri FDNB, aha twovuga gukurikirana abantu bagendana umugera wa Sida, ibikorwa vyo gucandaga, ibikorwa bijanye n'uguhimiriza irondoka rijanye n'amagara meza hamwe no gukurikana abibungenze. Harakozwe ibipimo vyo kwa muganga hongera hatangwa n'incanco ku ma kambi ya 70 na 71 mu gihe yariko aritegura kuja mu butumwa bw'amahoro mu gihugu ca Somariya. Igisata kijejwe amagara y'abasirikare muri FDNB carakarihirije ubwenge abafasha b'abaganga bakorera mu burere bwa gisirikare bwa 2, 3 na 4 kubijanye n'ingwara zifatira mu mutwe. Ico gikorwa cagenze neza ku rugero rw'ijana kw'ijana, abagera kuri 30 akaba aribo bigishijwe.

Mu ntumbero yo gushira imbere ukubaho neza kw'abasirikare n'imiryango yabo, umugambi ECHO ufashwe mu mugongo n'igisata c'ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi bwa Amerika kiraba ivyo gukinga umugera wa Sida, warashizweho kugira uzofashe abakorera mu gisata co kwitaho abagendana umugera VIH, inyigisho zikaba zaratanzwe, ndetse bakaba bararabiye hamwe icegeranyo bari mu gisagara c'i Dubayi.

### HMK : Ivyaranguwe birashimishije

Ku bitaro vy'abasikare vyo mu Kamenge (HMK), ibikorwa bitari bike vyararanguwe mu gice ca mbere c'umwaka w'2023 mu gushira mu ngiro icivugo cavyo kivuga ngo « ukwakira neza ababituye mu bitaro bisukuye ». Mu guteza imbere ibikorerwaho, ibitaro HMK vyarasubiyemwo inyubakwa atari nke, izindi ziragurwa harimwo n'inyubakwa yitiriwe Umuvyeyi-Umwana. Hariko harubakwa kandi ibimenyetso bizotuma abantu babona iyo batumbera batajuragiritse. Mu kugabanya ingendo z'abivuza baja gusinyisha impapuro, ibitaro HMK vyarashizeho ibiro bimwe bikoreramwo


*Uguhanahana ubumenyi n'umugwi w'abaganga wavuye mu gihugu ca Amerika*

abakozi bo mu gisata co kuvuzanya c'abakozi ba Reta. Ikindi, harashizweho ibiro vyo kwivurizamwo ku ntwanzangabo n'abakozi ba Reta bo mu rwego rwo hejuru.

### Uburyo bwo kwitaho abafise ingorane zijanye n'inyifato bwarongerejwe

Mu ntumbero yo kwongera uburyo bwo kwitaho abafise ingorane zijanye n'inyifato, ibitaro HMK vyaraguze icuma co gupima, ico Cuma kikaba kiri mu gushika mu bitaro. Ubuyobozi bw'ibitaro HMK bwarongereje abakozi aho abaganga bagera ku munani, n'abahinga mu gusinziriza indwi batowe ngo bakore mw'ivyo bitaro. Mu migenderanire naho, ibitaro HMK vyarakiriye umurwi w'abaganga b'igisirikare ca Amerika mu mwimenyerezo bita MEDREX, bakaba bahamaze indwi zibiri. Uwo mwimenyerezo mu kiganga watumye abakozi b'ibitaro HMK basabikanya ubumenyi n'uwo murwi w'abaganga b'igisirikare ca Amerika.

Mu vyipfuzo vya kazoza, ibitaro HMK bishaka gushiraho ikigo co kubaga amavyigo no kuyasubiriza, kuzokwubaka inyubakwa yo kupimiramwo ndetse bakayibagiramwo abarwaye indwara zo mu mubiri, kwubaka inyubakwa bazorazamwo abarwayi b'abasirikare n'imiryango yabo gusa.

***Major HERMAN BAZIRUTWABO***

# Urwego FDNB mu bikorwa vy'iterambere n'ukurwiza umwimbu

*Iruhande y'ubutumwa bwo kugwanira imbibe z'igihugu, ukwikukira n'ubwigenge bwaco, Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rurunganira no mw'iterambere ry'igihugu mu bikorwa binini binini vyerekeye ineza ya bose, ukugwiza umwimbu, ivy'ugutanga inyigisho nivy'ukwigisha ugukunda igihugu. Ninaco gituma Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rukora imigambi y'uburimyi n'ubworozi, rukaba rufise kandi n'amahinguriro y'amakara.*

Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rujejwe kugwanira igihugu. Hambavu y'ubwo butumwa bw'iteka, ruraterera mu bikorwa vyerekeye ineza ya bose n'ivy'ukugwiza umwimbu kugira ngo ruterere mw'iterambere ry'igihugu. Kukaba nkako, urwo rwego rurorora ibitungwa binibini na bito bito. Mu bijanye n'uburimyi, Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rurarima ikawa ku mahegitari angana 50. Izo kawa zikaba zirimwa mu ntara ya Cankuzo, Karusi, Kayanza, ku Mutukura no muri Komine ya Rango. Muri ayo mezi atandatu arangiye y'uno mwaka w'2023, urwo rwego rukaba rumaze kwimbura ibiro 480 vy'ikawa nziza ya mbere hamwe n'ibiro 99.5 vy'ikawa ibayabaye. Mu bijanye n'amahinguriro y'amakara, uwujejwe gukurikirana ayo mahinguriro Riyetena ibizuku yari menshi cane tugereranije n'ayo igisoda gikoresha mukwihingurira amakara ». Mu bijanye n'inyubako, Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi rwararanguye ibintu bitari bike. Aha twovuga inyubako z'ugucungereramwo umutekano mu biro bikuru vya gisikare, inyubako yo kubikamwo imiti mw'ikambi y'ububiko bw'ibikoresho vya gisirikare, inzu ibikwamwo amasasu mw'ikambi ya 22 yama burende, ihinguriro rya'amakara ryo mu Kayogoro, ihoteri y'igitega, ukwimba ibinoko vy'amazi bizokoreshwa n'abenegihugu bo mu Gisyo, ugusubiramwo amazu ya garaje ya gisirikare GMAEM n'ibindi.



Urwego FDNB mu bikorwa vyo kwubaka no gusanura inyubakwa z'igisirikare

### Ishirahamwe CECADM ryoryo ryifashe gute?

Koroneri Ntamarerero Jean yamenyesheje ko ihunguriro riri ku Muzinda n'iry'i Gitega zikora neza kandi zitanga umwimbu ushimishije. Ati : « Uyu munsi amakambi yose ya gisirikare akoresha amakara ahingurwa n'urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi mu guteka imfungurwa z'abasirikare. Ni inyungu ikomeye ku gihugu muri rusangi no k'Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi kuko amafaranga yahora atangwa mukugura Mu nama ya bose isanzwe y'abanywanyi baserukiye abandi yabaye kw'igenekerezo rya 24 Ntwarante 2023, Umuyobozi w'ishirahamwe ry'ukuziganya, ukuguranana n'ukwitezimbere kw'abasirikare Koroneri Bigirimana Nestor yamenyesheje ko akarusho k'umwaka w'2022 gashimishije. Ako karusho kakaba kangana n'amafaranga y'amarundi i 2 983 794 367. Ati:"Amafranga y'abanywanyi angana n'amafaranga y'amarundi i 44 316 986 547, ingurane ingana n'55 568 404 462 hamwe n'inyubako zifise igiciro c'amafaranga y'amarundi angana n'15 271 362 414.Ivyo biharuro bikaba bishimishije."Inama ya bose ikaba yashinze ko ako karusho kabonetse kazokoresha mu ntegabizoza ry'ishirahamwe, integabizoza itegekanywa n'ibanki nkuru y'igihugu BRB, integekanyo y'inyigisho, integekanyo y'ibikorwa rusangi n'agashirukabute k'abakozi ba CECADM.

### Ishirahamwe CECADM n'ubuhinga bwa none

Umuyobozi mukuru wa CECADM yamenyesheje kandi ko iryo shirahamwe ko mu ntango ryashira imbere urudandazwa rw'amafaranga ku banywanyi baryo kugira ngo rishobore gukora neza kandi ryunguka ariko ubu rigeze ku rwego rushimishije "Ni naco gituma ubu dutunganiriza neza abanywanyi bacu. Bitayeko, nzonezeregwa cane mu gihe umusirikare aho ariko arakorera hose haba kure canke hafi, mu gihugu canke hanze y'igihugu ashoboye kubikura n'ukurunginka amafaranga yiwe ari kuri konte yiwe akoresheje agaterefone kiwe ngendanwa", nk'uko yabanganije abishimangira. Mu bijanye n'ivyo bategekanya kuzorangura, Umuyobozi mukuru wa CECADM amenyesha ko bazokwigisha abanywanyi babo, abakozi ba CECADM hamwe n'abakorera mu bisata nyobozi. Yongerako ko Ishirahamwe CECADM ritegekanya kwubaka mu ntara ya Gitega ishure ry'akarorero mu gihugu mbere no mu karere. Aho rizokubakwa hagana n'ihegitari zitandatu hakaba haramaze kugurwa.





CECADM ikora ku nyungu z'abanywanyi bayo

***Maj ALICE NGENZEBUHORO***

# Umutekano mu buseruko bwa Kongo uraraje ishinga umuryango wa Afrika y'ubuseruko

*Uburundi bwarakiriiye inama igira gatandatu y'abarongoye ibisirikare vy'ibihugu bigize ishirahamwe ry'ibihugu vy'Afrika y'ubuseruko kuva kw'igenekerezo rya 22 gushika ku rya 23 ntwarante 2023 i Bujumbura. Iyo nama ikaba yatunganijwe mu ntumbero yo kurabira hamwe no gusuzuma uko umutekano wifashe mu buseruko bw'igihugu ca Repubulika iharanira intwaro rusangi ya Kongo.*

Umuryango w'ibihugu vy'Afrika y'ubuseruko uriko ushiramwo inguvu zidasanzwe mu ntumbero yo kugarukana amahoro mu gihugu ca Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo.Iyo rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi,Jenerari Niyongabo Prime nawe yabanje guha ikaze abitavye iyo nama i Bujumbura abifuriza kururoranirwa umwanya wose bazohamara. Umukuru w'Urwego rw'ukwivuna abansi Jenerari Niyongabo Prime yaragarutse ku vy'umunyamabanga mukuru wa EAC ku ntererano vyagize kugirango iyo nama ishobore gutunganywa.Akaba yasavye abari bitavye iyo nama gufata ingingo nziza zizotuma amahoro n'umutekano birama bitsimbatara mu buseruko bw'ico gihugu ca Kongo.



*Abakuru b'ibisirikare vy'ibihugu vyo muri EAC mu nama yo kurwaniriza hamwe umwansi muri RDC*

nama yitabwe n'abavuye mu bihugu vyose bihurikiye mu muryango w'ibihugu vy'Afrika y'ubuseruko arivyo:Uburundi,Kenya,Repubulika iharanira demokarasi ya Kongo, Rwanda,Uganda,Sudani y'epfo hamwe na Tanzaniya.Nk'uko amategeko ngenderwako y'uwo muryango abivuga ku bijanye n'ingene inama zitunganywa, umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Jenerari Niyongabo Prime niwe yararongoye iyo nama.

Mw'ijambo ry'ikaze,uwaserukiye umunyamabanga mukuru w'umuryango w'ibihugu vya Afrika y'ubuseruko Jenerari Majoro Ally Katimbe akaba asanzwe ari umuhanuzi ajejwe ivya gisirikare,yabanje gushimira abarongoye ibisirikare bavuye mu bihugu bitandukanye ku kungene bitavye ubutumire bahawe.Yaboneyeho akaryo ko gushimira Leta y'Uburundi ibicishije ku Rwego rw'ukwivuna abansi kw'ikaze bahawe kuva bagishika ku butaka bw'Uburundi.Uwaserukiye umunyamabanga mukuru wa EAC ,Jenerari Majoro Ally Katimba yarangije ijambo ryiwe yemeza ko bazokomeza gukora ibishoboka vyose mu gushigikira inguvu zose zijanye no kugarukana amahoro n'umutekano mu buseruko bw'igihugu ca Repubulika iharanira demokarasi ya Kongo. Mw'ijambo ryo kugurura inama, uwarongoye inama akaba n'umukuru w'Urwego vyapfunditswe mu nama igira gatanu yabahuje i Nairobi muri Kenya kw'igenekerezo rya 9 ruhuhuma 2023. Muri iyo nama bakaba barabiye hamwe ingene abatararungika ingabo Iyo nama igira gatandatu ikaba yari yitabwe n''abandi basanzwe bafasha muri ico gikorwa nk'uworongoye ingabo z'umuryango wa EAC muri ico gihugu, uwurongoye ingabo z'ishi-



*Abakuru b'ibisirikare vy'ibihugu bihurikiye vyo muri EAC barerekanye ugushaka gufasha kugarukana amahoro muri Kongo*

zabo mu gihugu ca Repubulika iharanira intwaro rusangi ya Kongo bobikora vyihuta kugira hagarukanwe amahoro muri ako karere. Uworongoye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi akaba yarashimiye ibiro rahamwe mpuzamakungu Monusco hamwe nabari mu mugwi ujejwe kugenzura ingene ico gikorwa co kugarukana amahoro kirangurwa.

***Maj J.M.V NININAHAZWE***

# Ukwimenyereza hamwe, kugira bahangane n'ibibazo vyobangamira akarere

*Umwimenyerezo wa gisirikaré «CPX Ushirikiano Imara 2023» wuguruwe ku mugaragaro kw'igenekerezo rya 18 ruheshi 2023 mu karere ka Musanze mu gihugu c'Urwanda ukaba wasozerewe kw'igenekerezo rya 26 ruheshi 2023.Uburundi bwaserukiwe n'abantu 60 harimwo abasirikare 38 , abapolisi 8 hamwe n'abasivire 14.*

Umuryango w'ishirahamwe ry'ibihugu bigize akarere ka Afrika y'ubuseruko waratunganije umwimenyerezo ugira icumi na gatatu bita "CPX Ushirikiano Imara 2023 "uhuza ibisirikare vy'ivyo bihugu ukaba wabereye mu gihugu c'Urwanda.Ibihugu bitanu nivyo vyitavye uwo mwimenyerezo ari vyo:Uburundi, Kenya, Urwanda ,Uganda hamwe naTanzaniya.Ibihugu vya Sudani y'epfo hamwe na Repuburika iharanira intwaro rusangi ya Kongo bikaba bititavye ubutumire.



*Kugira urunani mu kugwanya iterabwoba*

**Abantu 313 nibo bitavye uwo mwimenyerezo**

Uwo mwimenyerezo wahuje abantu 313 bava mu mice y'abasirikare, abapolisi hamwe n'abasivire.Icivugo c'uno mwaka kikavuga kiti: «Ugukomeza ivyo kwinjira mu gisata c'umutekano kugira ngo basabikanye inyungu rusangi bisunze amahoro n'umutekano vy'akarere», nk'uko umukuru w'uwo mwimenyerezo Jenerari Majoro Kagame Andrew yabivuze ,bafata ko hari igihugu ngereranyo catewe bise Kangoma ,giterwa n'umugwi w'iterabwoba bise Tikura.Mu nyuma niho ishirahamwe mpuzamakungu ONU riheza rigatora itegeko risaba umuryango wa Afrika kurungika ingabo kugarukana amahoro muri ico gihugu ca Kangoma ,bakaba bazise REMIKA .Muri izo ndwi zibiri ,uwo mwimenyerezo w'ibiro bikuru wakozwe mu bisata bine arivyo: ukugarukana amahoro, ukurwanya iterabwoba, ukurwanya ubusuma bwo mumazi hamwe no gukinga ibiza n'isibe.

**Ibisirikare vyo mu karere bitegerezwa kwimenyereza hamwe**

Ibirori vyo kugurura uwo mwimenyerezo CPX Ushirikiano Imara 2023 vyabaye



*Umwimenyerezo CPX 2023 wagenze neza*

kw'igenekerezo rya 18 ruheshi 2023 mu ntara y'uburaruko y'Urwanda mu kigo c'ishure kaminuza ryo gutwara no gutunganya ivyerekeye ingabo.Ivyo birori bikaba vyari vyatewe iteka n'umushikiranganji w'ukwivuna abansi w'Urwanda Marizamunda Juvénal.Mw'ijambo ryiwe yatanguye guha ikaze abitavye uwo mwimenyerezo bose bavuye mu bihugu bigize umuryango w'akarere ka Afrika y'ubuseruko ,abifuriza kuroronirwa muri ico gihugu no gukora neza uwo mwimenyerezo.Yamenyesheje kandi ko ingorane zijanye n'umutekano zihanze akarere ata numwe yovuga ko yoba nyamwigendako mukuzitorera umuti ari naco gituma ibisirikare vyacu bitegerezwa kwimenyereza hamwe.

Mu gusozera uwo mwimenyerezo CPX Ushirikiano Imara 2023 kw'igenekerezo rya 26 ruheshi 2023, umushikiranganji w'ukwivuna abansi w'Urwanda Marizamunda Juvénal yamenyesheje ko umwimenyerezo wagenze neza cane ko n'ivyaranguwe bishimishije.Abitavye uwo mwimenyerezo bararonse akaryo keza ko guhanahana ubumenyi no mu kumenyera gukorera hamwe. Ico kikaba ari ikintu gikomeye mu guhangana n'ibibazo vy'umutekano mu karere nk'uko umushikiranganji yarangije abivuga.

Uburundi muri ivyo birori bukaba bwari bwaserukiwe n'umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba Ir Alain Tribert Mutabazi. N'icegera c'umukuru w'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi Riyetena Jenerari Habimana Jean Paul akaba yari yitavye ivyo birori.

***Maj J.M.V NININAHAZWE***

# Umwimbu urashimishije muri ATMIS mu kiringo c'amezi atandatu

*Muri ikontenja y'Uburundi ya ATMIS, umwimbu urashimishije mu kiringo c'amezi atandatu imaze mu bikorwa vyo kugarukana amahoro n'umutekano muri Somaliya. Kuva ishitseyo igenekerezo rya 24 munyonyo umwaka w'i2022 ibikorwa bitari bike vyararanguwe mu bisata nka vyose, aha twovuga gusubiza kumugaragaro ikirindiro ca Maslah, gusubira gucungera ikirindiro ca Xawadrey, gutunganya neza ikirindiro co kubika ibikoresho vya kontenja y'Uburundi i Balcaad, urugendo rw'uwurongoye ikontenja y'Uburundi kubirindiro nka vyose mu karere ka gatanu ikontenja y'Uburundi ikoreramwo hamwe no kugomboza ama batayo ya 65 na 66 asubirirwa n'ama batayo ya 70 na 71 ya ATMIS.*

Mu ntumbero yo gushira mu ngiro umugambi utunganya ibikorwa vya gisirikare muri ATMIS (CONOPs 2022-2024) hamwe n'umugambi mfatakibaza wo gushikiriza Reta ya Somaliya igikorwa co kwicungerera ibijanye n'umutekano hamwe n'umugambi werekana ibikorwa ikontenja y'Uburundi izorangura mu mwaka w'i 2022 ushira uw'2023. Iyo kontenja yararanguye ibikorwa bitari bike mu kiringo c'amezi atandatu kuva ishitse mu kwezi kwa munyonyo 2022. Muri ico kiringo c'amezi atandatu ikontenja imaze mu butumwa umutekano muri rusangi wagumye wifashe neza naho bitari bishemeye cane mu karere ka gatanu ikontenja isanzwe icungereye.



Gusubiza ikirindiro ca Maslah ingabo za Somaliya

### Mu bijanye n'ibikorwa vya gisirikare

Ibikorwa bitari bike vyararanguwe mu kiringo c'amezi atandatu. Mu bikorwa bikuru bikuru vyaranguwe, harimwo gusubiza ku mugaragaro ikirindiro ca Maslah, gusubira gucungera ikirindiro ca Xawadrey, gusubiramwo ikirindiro kijejwe kubika ibikoresho vya Kontenja ca Balcaad. Ivyo bikorwa vyose vyari mu vyihutirwa kuri kontenja ya 15 y'Uburundi bikaba vyakozwe hisunzwe umugambi mfatakibanza wo gushikiriza igikorwa co kwicungerera umutekano Reta ya Somaliya hamwe n'umugambi ugenga ibikorwa vya gisirikare muri ATMIS CONOPs hamwe n'intumbero n'ibikorwa vy'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika. Ivyo bikorwa vyateguwe vyongera birangurwa neza bitumwe n'ikorana neza hagati y'abo vyega kandi babifisemwo uruhara aribo Reta ya Somaliya, abafasha ishirahamwe ATMIS, abarongoye ATMIS ku rwego rwo hejuru hamwe n'abandi.

Isubizwa ry'ikirindiro ca Maslah ryatumye haba gusubiramwo ikirindiro gishasha ca Balcaad kugira bubake neza ikirindiro kijejwe kubika ibikoresho vya kontenja y'Uburundi, ibikorwa vyafashe umwanya utari muto bitumwe n'ikeha ry'ibikoresho bimwe bimwe. Abarongoye ATMIS ku rwego rwo hejuru baragize ingendo zitari nke kugira birabire neza ko abasirikare bafise ibisabwa vyose kugira barangure neza imirimo bajejwe kandi bategerezwa. Inyuma y'isubizwa ry'ikirindiro ca Maslah, intwazangabo zo muri ikontenja ya 15 baciye bategura bongera bashira mu ngiro ibikorwa vya gisirikare vyo gusubira gucungera ikirindiro ca Xawadrey igikorwa cashimishije Reta ya Somaliya umuntu afatiye ku kamaro ico kirindiro gifise kuko catumye haba gucungera neza ikiraro ca Xawadrey kugira babuze uruja n'uruza rw'intagondwa z'aba al shabaab ziva mu burengero zija mu buseruko bw'uruzi Shabelle.

Ibindi bikorwa vyaranguwe ku bijanye n'igisata kijejwe ibikorwa vya gisirikare umuntu yovuga, ibikorwa vyo gukizura vyaba ivyo kuraba umwansi mu karere canke ivyo kurwanya umwansi, kugurura amabarabara nyamukuru ya jowhar Town –na Jowhar Air Field, gucungera inzego za Reta ya Hirshabelle hamwe n'inyubakwa zikomeye. Ikindi gikorwa gikomeye cakozwe kandi congera kirashirwa mu ngero na kontenja ya 15 ni igombozwa ry'ibatayo ya 65 na 66 basubirizwa n'ama batayo ya 70 na 71 ya ATMIS.

Mu ntumbero yo kuremesha no kubahimiriza kugira bongereza ishaka ku basirikare mu kurwanya umwansi kugira bameremagabo ku rubuga rw'intambara, abarongoye kontenja y'Uburundi baragendeye ibirindiro vya gisirikare vyose biri mu karere ka gatanu. Kuri iki kibazo, uwurongoye ikontenja ya 15 yarashimiye abarongoye ibirindiro aho biri hose ku bikorwa bimaze gukorwa mu kwicungera no kugwanya umwansi aca abasaba ko bobandanya bameze magabo imisi yose bakongereza ibikorwa vyo gukizura no kugwanya umwansi bafadikanije n'abasirikare ba Somaliya bakongera bakongereza uburyo bwo kurondera inkuru zijanye n'uko umwansi yifashe aho baherereye.

### Mu bijanye n'imigenderanire

Mu bijanye n'imigenderanire, kontenja y'Uburundi ya ATMIS yarakiriye abashitsi bo ku rwego rwo hejuru batari bake aha twovuga uwurongoye Reta ya Hirshabelle umushingantahe Ali Abdullahi Hussein Guudlawe, umuserukizi adasanzwe w'umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe mpuzamakungu ONU umupfasoni Catriona Laing, umuserukizi adasanzwe w'ishirahamwe ry'ubumwe bwa Afrika muri Somaliya Ambassaderi Mohamed Souef Elamine, Icariho c'umunyamabanga mukuru w'ishirahamwe mpuzamakungu ONU akaba yararongoye ibiro bijejwe gufasha mu vy'ibikoresho muri Somaliya (UNSOS) Madame Lisa Kim Filipetto, hamwe n'abandi.

Uwurongoye Reta ya Hirshabelle umushingantahe Guudlawe yarashimiye bimwe bivuye ku mutima abarongoye akarere ka gatanu kunguvu n'ishaka bakoresha mu kwitanga bidasanzwe kugira bacungere inzego za Reta ya Hirshabelle hamwe n'izindi nyubakwa ngirakamaro ziri muri ako karere. Abo bandi bashitsi b'iteka bose baje kugendera ikontenja mu ntumbero y'ingendo z'akazi no kugira birabire ibikorwa vyaranguwe hamwe n'ibiriko birarangurwa batibagiye ibigiye kurangurwa mu karere ka gatanu. Umuntu yovuga akarorero nko kuraba ingene ikigo kijejwe gutegurira hamwe no gutunganya ibikorwa vya gisirikare hagati ya basirikare ba ATMIS hamwe n'abasirikare ba Somaliya.

### Akigoro kanini mu bijanye n'inyigisho

Mu gisata kijejwe inyigisho, imyimenyerezo hamwe n'ibikorwa vya gisirkare mu ntumbero yuko abasirikare boba rurangiranwa, ibisata bibijejwe vyaratunganije inyigisho zaba izitangwa nabo hanze canke abo muri kontenja ya 15, aha twovuga izijanye no gutabara mu bubangutsi z'abanonotsi karuhariwe no gucungera inzego canke abakuru hamwe nizo gusaka mu mabarabara baraba imitego itegwa n'umwansi kugira barwanye imitego yama mines imenyerewe gukoreshwa n'intagondwa z'aba al shabaabu hamwe n'imyimenyerezo ijanye no gutabara vyihuta mu gihe batewe n'umwansi giturumbuka ku birindiro bitandukanye.

### Ibikorwa bihuza abenegihugu n'abasirikare

Ku bijanye n'ibikorwa vy'imigenderanire hagati yabasirikare n'abanyagihugu. Ibikorwa bitari bike vyararanguye nko ku birindiro vyose vyo mu karere ka gatanu: gutanga amazi meza, kworohereza abaza kwivuza, kwegeranya ibifungurwa bafashisha abanyagihugu ba ntahonikora gusumba abandi bo mu bisagara bimwe bimwe no mu birindiro vy'abataye izabo.

Bisunze amabwirizwa ya 2628 na 2670 y'ishirahamwe mpuzamakungu ONU rijejwe amahoro n'umutekano kw'isi ryategeka kugabanya abasirikare 2000 b'ishirahamwe rya ATMIS imbere y'uko ukwezi kwa gatandatu umwaka w'i 2023kurangira, ibirindiro bimwe bimwe bitegerezwa gusubizwa abasirikare ba Somaliya ibindi bifutwe burundu.

***Maj ROGER NDAYISABA***

# Ku mezi atandatu imaze, kontenja y'Uburundi igira 8 muri Minusca igeze ku ntambwe ishimishije

*Kubungabunga umutekano w'abanyagihugu n'uwabakozi b'ishirahamwe mpuzamakungu ONU hamwe no gukingira ibikorwa n'ibikoresho vyabo biri mu bikorwa bikuru bikuru bimaze kurangurwa n'ingabo z'Uburundi ziri kugarukana amahoro n'umutekano mu gihugu ca Cantrafrika. Abasirikare b'abarundi barashigikira kandi abanyagihugu bo muri ico gihugu babicishije mu bikorwa vy'igisata kijejwe imigenderanire ca kontenja y'Uburundi ya Minusca.*

Ugushira mu ngiro ubutumwa bwa Minusca nkuko bitegekanywa n'ingingo igira 2659 yemejwe n'inama mpuzamakungu ONU ijejwe umutekano kw'isi niwo mwitwarariko wa kontenja y'Uburundi igira 8 muri Minusca Ndjoukou.

Mu bijanye n'imigambi ivyara inyungu vuba, uwurongoye kontenja y'Uburundi amenyesha ko kontenja arongoye yatanguje umugambi wo kugwiza imbuto za kijambere ubutumwa bajejwe. Nico gituma kontenja y'Uburundi yitwararitse cane gukarihiriza ubwenge abasirikare muri aya mezi atandatu aheze kugirango babandanye barangura neza ibikorwa vyabo. Maj Nimpagaritse Egide asanzwe ajejwe inyigisho mw'i kontenja mu bikorwa vy'ayo. Riyetena Koroneri Mbonyiyeze Jean Pierre ayirongoye amenyesha ko muri aya mezi atandatu arangiye, kontenja y'8 yatunganije ibikorwa vy'ugukizura ijoro n'umutaga ikongera igakingira amahoro n'umutekano w'abanyagihugu mu ntumbero yo gushira mu ngiro ubutumwa bwa Minusca. Kontenja y'8 yarakoze kandi ibikorwa vyo guherekeza no gukingira imiduga n'abari muri yo yaba iy'abakazi mpuzamakungu ONU canke iyindi hamwe n'ibikoresho nkenerwa mu bikorwa vya Minusca.




*Gushigikira abanyagihugu ba Centrafrika biciye mu migenderanire hagati yabo n'abasirikare*

### Abanyagihugu barashigikirwa mu bikorwa bitandukanye

Mu bikorwa imaze kurangura, kontenja y'Uburundi igira 8 muri Minusca yarafashije kandi abanyagihugu bo mu karere irangururiramwo ibikorwa vyo kugarukana amahoro n'umutekano ibicishije mu gisata c'ayo kijejwe imigenderanire n'abanyagihugu. Maj Ndabicura Onesime arongoye ico gisata amenyesha ko kontenja y'Uburundi yahaye amazi imiryango irenga 100 iba mu karere ka Damara gakunda kubura amazi mu gihe c'ici. Iyo kontenja yaratanze kandi ibikoresho vy'ishure hamwe n'ibikoresho vy'isuku ku babikeneye gusumba abandi mu karere ka Sibut na z'ibiyoba mw'ishirahamwe Londombilondo ryo mu kigwati ca Kangamotema ya mbere iri ku birometero10 uvuye i Sibut. Abapfasoni 20 nabo barigishijwe umwuga w'ugufuma n'ukudesa ibitambara. Muri bo 15 bagendana ubumuga hamwe na 5 bigishijwe kugira bazokwigishe uwo mwuga abandi. Ifatanije n'igisata ca Minusca kijejwe gusubiza mu buzima busanzwe abahoze ku rugamba (DDR), kontenja y' Uburundi igira 8 yarasanuye ibiraro bitatu vyari vyarasambutse vyo mu karere ka Ndjoukou biri ku birometero birenga 140 uvuye Sibut, kw'ibarabara rya GalabadgaLisala.

Mu ntumbero yo gukomeza imigendarinire myiza n'abanyagihugu, iruhande y'ingendo zo gukomeza imigenderanire, kontenja y'Uburundi yaratunganije inkino zitandukanye zahuje kontenja n'abanyagihugu hamwe mbere n'abajejwe umutekano b'igihugu ca Centrafrika.

### Igisirikare kirangwa n'ubuhinga nyamwuga mu bikorwa vyose

Abasirikare b'abarundi bari mu bikorwa vyo kugarukana amahoro n'umutekano ku rwego rwa Minusca baritwararika cane gukoresha ubuhinga bize mu vyo bakora kugirango bashobore kurangura neza y'Uburundi igira 8 asigura ko inyigisho nkarishabwenge zashimikiye ku vyigwa bijanye n'ubutumwa bwa Minusca, na cane cane gutunganya ingene hakingwa umutekano w'imiduga iherekejwe, gukizura, kuzimya umuriro wadutse, kwiga ibijanye n'ibisasu biturika giturumbuka, gukinga umutekano mu gihe c'imigumuko. Izindi nyigisho zashimikiye ku nyifato n'indero vy'abasirikare bari kugarukana amahoro n'umutekano ku rwego mpuzamakungu, ku gukinga guhatira abanyagihugu guhuza ibitsina hitwajwe ubushobozi canke umwambaro vy'abasirikare mpuzamakungu ONU, inyigisho zifatiye ku gitsina hamwe n'inyigisho zo gukingira abana, hamwe rero n'inyigisho zo gukingira agateka ka zina muntu n'izindi.

Kontenja y'Uburundi ya Minusca ikaba irangurira ibikorwa vyayo mu karere gafise uburinganire bugera ku 28.424 $Km^2$. Ako karere kakaba kagizwe na préfecture ya Kemo yose, igice ca préfecture ya Ombella M'poko muri sous-préfecture ya Damara hamwe n'igice ca préfecture ya Ouaka muri sous-préfecture ya Grimari.

***Maj ANATOLE CIZA***

# « Ivyo bari barategekanije kurangura vyaranguwe ku bice birenga 90 kw'ijana »

*Nk'uko biri mu nteguro y'ibikorwa vyakozwe mu mwaka 2022-2023, Sentare z'igisirikare n'ubushikirizamanza bukukira izo sentare baranguye ibikorwa bitari bike muri kino gice ca kabiri c'umwaka w'iyo integuro mu bijanye n'ugutsimbataza indero ya gisirikare. Ibikorwa vyategekanijwe kurangura bikaba vyaranguwe ku bice birenga 90 kw'ijana.*

Sentare z'igisirikare zikurikirana uko zisumbasumbana zikaba zigizwe na sentare nkuru ya gisirikare hamwe na sentare za gisirikare. Mu ntumbero y'ugutsimbataza indero nziza ya gisirikare mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Umukuru wa Sentare nkuru ya gisirikare Koroneri Hatungimana Sylvain yamenyesheje abacamanza ko baraburanishije abasirikare bikekwako icaha mu turere twa gisirikare twose no ku cicaro ca sentare z'igisirikare. Ibikorwa vyaranguwe ni ugushika gisirikare akaba yakira akongera akihweza neza ibirego n'ivyagirizi vyabarenganijwe canke bahohotewe. Mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ubushikirizamanza bukukira sentare ya gisirikare zigizwe na paraki nkuru ya gisirikare na paraki za gisirikare. Paraki za gisirikare zifise ububasha bwo gutohoza ama dosiye y'abasirikare bo kw'ipete ry'umusoda mutoya gushika kw'ipete rya Kapitene ariko Paraki nkuru ya gisirikare itohoza ama dosiye y'intwazangabo kuva kw'ipete rya majoro gushika kw'ipete rya Koroneri. bike mu kiringo c'amezi atandatu arangiye yo mu nteguro y'ibikorwa vy'umwaka w'2022-2023. Aha twovuga ibikorwa vyo gushika mu ntara zo hagati gutohoza ama dosiye ataraburanishwa, ugusuzuma amazu apfungiwemwo abasirikare, kugenzura ibikorwa birangurwa n'inyamiramabi za gisirikare hamwe n'uguserukira umushikirizamanza muri sentare yo mu mw'iherero. Iruhande yivyo, abashikirizamanza barakiriye bongera baraburanisha ababuranyi bangana n'1034.






*Inyigisho mu butungane bwa gisirikare ni ngirakamaro*

hagati mu gihugu kuburanisha abasirikare bikekwako icaha, harabaye isasa ry'imanza 42 ku cicaro ca sentare z'igisirikare hamwe n'imanza icenda zo mu ntahe yo mu mwiherero. Umukuru wa Sentare nkuru ya gisirikare yabandanije amenyesha ko batunganije inyigisho zo gukwigisha amategeko mpanavyaha ya gisirikare, amategeko agenga ingo n'imiryango hamwe n'ububasha bwama Sentare ya gisirikare. Mu ntumbero y'ugukahiriza ubwenge abakorera mu butungane bwa gisirikare, Koroneri Hatungimana Sylvain amenyesha kandi ko bigishije abanditsi b'imanza n'abanyamabanga bama paraki ya gisirikare.

### Ubutumwa bwa paraki nkuru ya gisirikare ni ugukurikirana abasirikare bagigwa n'ivyaha

Mu bijanye na paraki nkuru ya gisirikare, uwurongoye iparaki nkuru ya gisirikare Koroneri Hakorimana Désiré yamenyesheje ubutumwa nya mukuru bw'ama paraki ari ugukurikirana abagigwa n'ivyaha. Ni uwuserukira Reta mu Muguheraheza amatohoza y'urubanza, urubanza rurashobora guherera mu rwego rw'abashikirizamanza rutarinze gushikirizwa Sentare ku mvo nyamukuru zikurikira: ko basanze atacaha cakozwe, ikurikiranwa ry'ico caha ryataye igihe, canke bidakenewe ko icaha gikurikiranwa, n'ibindi.

Irashobora kurungikwa muri paraki ya gisirikare canke muri Sentare ya gisirikare canke Sentar nkuru ya gisirikare baravye ipete ry'uwuriko akorwako amatohoza. Paraki nkuru ya gisirikare irakurikirana intwazangabo ziba ziriko zirakorwako amatohoza n'umushikirizamanza hamwe n'ibikorwa vy'inyamiramabi za gisirikare. Ku vyerekeye ama dosiye ari muma paraki ya gisirikare no muri sentare nkuru ya gisirikare, hategerezwa kuba umushikirizamanza aserukira umucamanza mu gihe c'iburanishwa.

Umushikirizamanza mukuru mu gisirikare Koroneri Hakorimana Désiré, arongoye paraki nkuru ya gisirikare yamenyesheje ko paraki nkuru ya gisirikare yaranguye ibikorwa bitari

### Ivyo bategekanya kuzorangura

Umushikirizamanza mukuru mu gisirikare Koroneri Hakorimana Désiré, arongoye paraki nkuru ya gisirikare, yamenyesheje ko integuro y'ibikorwa bizorangurwa mu mwaka w'2023-2024 yamaze kwemegwa kandi ko harimwo ibikorwa vyo gushika mu ntara za ruguru gutohoza amadosiye y'ivyaha ataraburanishwa, uguserukira umushikirizamanana mu ntahe y'icese no mu ntahe yo mu mw'iherero, ukwigisha inyamiramabi za gisirikare, ugusuzuma amazu apfungiwemwo abasirikare, ugukurikirana ibikorwa vy'inyamiramabi hamwe n'ibindi.

Ibikorwa birangurwa na Sentare z'igisirikare n'ubushikirizamanza bukukira sentare za gisirikare birashimwa n'uburongzi bw'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.

***Maj ALICE NGENZEBUHORO***

# Umwimbu urashimishije mu runani Muzinga

*Imigwi ihurikiye muri Muzinga yaritabiriye amahiganwa atari make mu kiringo c'igice ca mbere c'umwaka w'2023. Mu mahiganwa yateguwe haba ku rwego rw'igihugu,yaba ayahuza amakaminuza n'ayahuza ubushikiranganji, imigwi ya Muzinga yafashe ikibanza ca mbere mu mahiganwa menshi.*



*Imyimenyerezo y'ukwinonora imitsi mu gisirikare ituma bamenya ubushobozi bw'abasirikare ku ngero zitandukanye*

Mu gice ca mbere c'umwaka w'2023, igisata kijejwe ivyerekeye inyigisho, imyimenyerezo n'ibikorwa vya gisirikare mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB), kibicishije mu biro bijejwe ukwinonora imitsi n'inkino, carashoboye gushitsa imirimo gihamagariwe ariyo gutegura neza imigwi y'inkino ikukira urwego FDNB kwitabira ibikorwa vyerekeye inkino bitunganywa n'amashirahamwe y'inkino ku rwego rw'igihugu na mpuzamakungu, kwitabira icagurwa ry'abakinyi n'abanonotsi bashasha bazokinira imigwi ikukira Urwego FDNB.

**Ku rwego rw'igihugu, umwimbu urashimishije**

Mur'iki kiringo kirangiye, imigwi yo mu rwego FDNB ihurikiye mu migwi ya Muzinga yaritabiriye ihiganwa ku rwego rw'igihugu rwateguwe n'ishirahamwe ry'Uburundi ry'urukino rw'umupira w'amaboko Volleyball. Umugwi wa Muzinga Volleyball w'abakenyezi ukaba ariwo wabaye uwa mbere. Mu rukino rwa Netball, umugwi wa Muzinga Netball abakenyezi niwo watahanye intsinzi. Umugwi Muzinga Handball w'abigeme biga muri Iscam bafashe ikibanza ca mbere mu mahiganywa yahuza amakaminuza. K'urundi ruhande, umugwi bw'Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi no gukurikirana abahoze ku rugamba nawo warirahiye iyindi migwi yose mw'ihiganwa ryahuza ubushikiranganji butandukanye. No mu zindi nkino, urunani muzinga ntiruri kure na gato. Aha twovuga umugwi Muzinga Tennis de table yabaye iya gatatu ku rwego rw'igihugu, imirwi Muziga Volleyball abagabo n'umugwi Muzinga umupira w'amaguru w'abagabo yabaye iya gatanu n'iy'indwi ku rwego rw'igihugu.

Urwego FDNB rwarateguye ihiganwa ryo kwinonora imitsi ku basirikare. Iryo higanwa rwahuje abanonotsi babaye aba mbere mu mice bakoreramwo. Iryo higanwa rikaba ryahumye hatorwa abanonotsi bafise ubuhinga n'ubukerebutsi gusumvya abandi muri buri gisata c'inkino. Abasirikare bane mur'abo bararonse umwanya mwiza ubagira aba mbere ku rwego rw'igihugu.

Urwego FDNB, rubicishije mu gisata kijejwe ivyerekeye inyigisho, imyimenyerezo n'ibikorwa vya gisirikare, rwaratunganije ihiganwa gisirikare kuva ku wa 19 gushika kuwa 23 Rusama umwaka w'2023 i Gitega ku civugo : « Inyigisho n'imyimenyerezo mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ni inkingi yo kumenya neza umwuga w'igisirikare no kurangura uko bitegerejwe imirimo y'urwo rwego».« Intumbero nyamukuru n'uko umusirikare wese wa FDNB yunguka akanagendera ubumenyi n'ubuhinga butandukanye umwe wese mu gisata akoreramwo, kugira umuntu ari muri FDNB akorane ubushake, ubwira, n'ubukerebutsi mu kurwanira imbibe z'igihugu, ukwikukira n'ubwigenge bwaco», bishikirizwa n'umukuru w'urwego FDNB Jenerari Niyongabo Prime, mw'ijambo ryo gutanguza iryo higanwa.

**Ku rwego mpuzamakungu, umwimbu uratera iteka urwego FDNB**

Abasirikare b'urwego FDNB ntibagarukiriza ku rwego rw'igihugu gusa mu myimyenyerezo n'inkino. Mu mezi atandatu aheze, umunonotsi wa Muzinga TAEKWONDO yaritabiriye amahiganwa mu gihugu c'Urwanda akaba yatahukanye umudari w'umujumbu. Abanonotsi batanu ba mbere bariko bakurikiranira imyimenyerezo mu mahanga kugira bakore imyimenyerezo yo k'urwego rwo hejuru isaba inguvu zidasanzwe.

Muri rusangi, urwego FDNB, rucishije mu biro bijejwe ukwinonora imitsi n'inkino, ntaco rutakoze mu ntumbero yo gufata ibibanza vy'imbere. Mur'iyo ntumbero, imigwi y'abakinyi b'umupira w'amaguru igizwe n'abasirikare gusa yaratunganijwe ikaba iriko irimenyerereza mu gisagara ca Bujumbura. Abanonotsi baza imbere baratowe mu bigo vyose vy'inyigisho z'igisirikare, abagera kuri 22 akaba aribo batowe, murabo 5 bakaba bariko barimenyerereza mu bihugu vya Espagne n'Ubutariyano. Abasigaye babandaniriza imyiteguro ku kibuga kiri mw'ikambi iri mu Kinanira. Mu ntumbero yo kuronka abakozi bafise ubumenyi kandi bakwiye, harigishijwe umugwi wa 13 w'ibisongerezi vy'intwazangabo bita « Abafundi mu myimenyerezo n'inkino».

***Maj HERMAN BAZIRUTWABO***